Ibibazo n'inyishu (Ikiza ruhonyanganda)

Ikibazo: Mbega ikiza Sida kigeramiye abanya Afrika bonyene?
Inyishu: Oyaye. Umugera wa sida warakwiye mubihugu vyose vyo kw'isi. Ku mugabane wa Aziya haharurwa abagendana umugera wa Sida imiriyoni munani n'ibihumbi amajana atatu (8 300 000), benshi muri abo ni abo mugihugu c'ubuhindi. Eka no mukarere ka Buraya yo mubuseruko ico kiza kiriko kirongerekana, aho kuva mumwaka wa 2000, ibitigiri vyirwijije na kabiri. Muri iki gihe, mumazinga ya Karayibe niho haza ubwakabiri kwisi yose muhageramiwe n'umugera wa sida. Muri Amerika abagendana umugera wa sida bagera kumuriyoni n'ibihumbi amajana abiri (1 200 000).

Ikibazo: None ni kuberiki Afrika ariyo yitaweho gusumba?
Inyishu: Afrika yo musi ya Sahara ibamwo abantu bangana na cumi kw'ijana (10%) ugereranije n'abantu baba kwisi yose, mugihe muri ako karere abagendana umugera wa sida bagera ku mirongo itandatu na kane kw'ijana (64%) ugereranije n'abawugendana bo kw'isi yose– muri abo haharurwamwo imiriyoni zibiri z'abana batarashikana imyaka cumi n'itanu. Mumwaka uheze, abaharurwa mumiriyoni zitatu nibo banduye ico kiza muri ako karere honyene, hakaba kandi n'izindi miriyoni zibiri z'abitavye imana kubera indwara zituruka kumugera wa sida. Hejuru yabo bahitanwa n'ico kiza, mukarere ka Afrika yo musi ya sahara tuhasanga abana babaye impfuvyi kubera sida barenga imiriyoni cumi na zibiri.

Ikibazo: None twovuga ko ari nk'umuvumo kuri Afrika?
Inyishu: Oya. Hari vyinshi vyiza vyakozwe kandi ubu ntacotuma umuntu yihebura. Kenya na Zimbabwe vyarakoze ibikora inka, ibitigiri vy'abarwaye biragabanuka, eka no mugihugu ca Burkina Faso ibiharuro biriko biragabanuka. Abarwaye barenga umuriyoni umwe n'ibihumbi amajana atatu bararonka imiti yo gupfupfahaza kandi n'amafaranga agenewe kurwanya sida yarongerejwe bimwe biboneka.

Ikibazo: None ni igiki catumwe bigabanuka?
Inyishu: Ivyirwa vyerekana ko kwirinda kurangura imibonano mpuzabitsina hataragera, kwirinda kuyirangura utari wabiteguye, be no gukoresha agakingirizo nizo nyifato nziza zakurikiye utwigoro tw'inyigisho zatanzwe.

Ikibazo: Ivyo bisa n'ibiturengeye; uruhara rw'umwumwe rwoba uruhe?
Inyishu: Umugera wa Sida ni ikiza kiraje ishinga isi yose, kandi ntawobideha, kirakomeye. Ariko, ntanumwe yosigara inyuma mukurwanya ico kiza kuko kizotuzwa n'igikorwa c'abantu bose. Twovuga nk'igikorwa c'umutamakazi areze impfuvyi muri Ethiopiya, umugiraneza afasha ngo inshinge zikoreshwe neza muri Ukraine, canke umurwizatunga yitwararika abantu atanga amahera menshi kugira hakorwe ubushakashatsi n'imigambi yo kurwanya sida. Umugera wa

sida utangurira kumuntu umwumwe, nico gituma umwe wese abwirizwa guhitamwo ivyerekeye ubuzima bwiwe: “Mbega nokwitwara gute ibijanye n'umugera wa sida, haba mubikorwa vyanje canke mumubano ndimwo?” Igikuru gituma twizera nuko n'abantu bakeya bashobora bagahindura aho babaye (mukibano). Nk'akarorero, abaremeshakiyago batanu bo mw'ikambi y'impunzi barashoboye gutuma abasaba impanuro n'abipimisha kugushaka kwabo atagahato biyongera gushika kubice mirongo itanu kwijana (50%) kukwezi kukwezi kuva ishirahamwe “Working To Empowe” ritunganirije inyigisho ribifatanije n'ishirahamwe ryabo.